Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°788 01Ndamukiza 2023

# Uguhimbaza umunsi w'Imana *(Ibikurikira)*

**Umunsi w'Umukama yazutse ni uw'ingabirano ya Mutima mweranda**

**Pasika ya buri ndwi**

Duhimbaza umunsi w'Imana kubera izuka ryeranda rya Kristu Umukama wacu, atari ku munsi wa Pasika gusa, ariko uko indwi itashe.

Uko niko Papa Inosenti wa mbere yasobanuye uwo mugenzo w'abakristu wari watanguye kuva mu mwaka ya mbere yakurikiye izuka rya Yezu.

Ogusitino mweranda we, avuga ko « Umunsi w'Imana ari » isakramenentu rya Pasika. Abanditsi b'Inkuru nziza batubwira ko Yezu Kristu yazutse umunsi wa mbere, isabato yaraye ihavuye.

Uwo munsi nyene niho Yezu yazuka yiyereka abigishwa biwe babiri b'i Emawusi (Luka 24,13-35).

Niho kandi yabonekera abatumwa cumi n'-umwe bakoranye (Luka 24,36) ;(Yohani 20,19).

Iminsi umunani iheze, nkuko tubisoma mu Nkuru nziza ya Yohani (Yohani 20,26), Abigishwa bari bakoraniye hamwe, aho Yezu yabonekera, akimenyesha Toma, amwereka ibimenyetso vy'ukubabara kwiwe. Pentekoti yabaye ku munsi w'Imana, ku munsi wa mbere w'indwi igira umunani ipasika y'abayahudi yaraye ihavuye (Ibik.2,1).

Niho abatumwa baronka Mutima mweranda Yezu yari yabemereye, amaze kuzuka (Luka 24,49 ; Ibikor. 1,4-5).

Soma ku Rup. 5

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Itangazo ry'inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi risozera urugendo rwabo i Vatikano



Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo

o UMUGAMBI «SAREPTA» ugiye gukomera....................................................3
o Mama Paul Marie MBONIMPA, yaraye ashengeye i Bukama....................7
o Muri CVR bati: Ntimutinye ukuri, tinya ububeshi n'uburyarya...............8
o Inyigisho nkarishabwenge kubagize komite ijejwe gutanga ivyegeranyo mu murwi mpuzamakungu ONU ujejwe agateka ka zina muntu................10

# Idominika y'Ibisandasanda : Umwaka A

## Igisomwa ca mbere : Izaya : 50, 4-7

Ivyo dusoma mu gitabu c'umuhanuzi Izaya:

(*Abancira amate mu maso sinayabahishije ariko ndazi ko ntazoteterwa*)

Umukama Imana yarampaye ururimi rw'inkerebutsi, kugira ngo menye ijambo ry'ukuremesha uwaruhijwe. Uko bukeye ni ko ankangura, akanzibura ugutwi, kugira ngo numvirize nk'abigishwa. Umukama Imana yaranzibuye ugutwi, nanje sinagambaraye, canke ngo niyonjorore. Narateze umugongo abankubita, abanshikura ubwanwa ndabatega imisaya; sinahishije amaso abantuka n'abancirako amate. Ariko Umukama Imana yarantabaye, ni co gituma ntamaramaye, ni co gituma nakomantaje mu maso hakamera nk'ibuye, kandi ndazi ko ntazoteterwa

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyafilipi : 2, 6-11*

Ivyo dusoma mw'ikete umutumwa Paulo yandikiye Abanyafilipi:

(Yarigize ubusa, ni co catumye Imana imushira hejuru ya vyose)

Umukama Kristu Yezu n'aho yamyeho muri kamere y'Imana, ntigeze yihambirira ku kungana n'Imana. Ariko yigize ubusa, mu gufata kamere y'abasuku mu kwigira umuntu asa n'abandi. Yigenjeje nk'umuntu asanzwe, aricisha bugufi, aragamburuka gushika apfe kandi apfa urupfu rwo ku musaraba. Ni co catumye Imana imushira hejuru ya vyose, ikamugabira rya zina nyaryo rirengeye amazina yose, kugira ngo, kw'izina rya Yezu, bose bakubite ibipfukamiro hasi abari mw'ijuru, abari kw'isi n'abari mu kuzimu, kandi ngo ururimi rwose rwature yuko Yezu Kristu ari Umukama mu buninahazwa bw'Imana Se

## Inkuru nziza : *Matayo 27, 11- 54)*

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo

Yezu rero ahagarara imbere ya nya mutware, nya mutware na we amubaza ati: «Wewe uri Umwami w'Abayuda?» Yezu avuga ati: «Ni wewe ubivuze.» Igihe yariko aragirizwa n'abaherezankuka bakuru hamwe n'abakurambere, nta co yishuye. Pilato rero amubwira ati: «Mbega ntiwumva ivyo bakwagiriza uko bingana?» Yezu ntiyamwishura, habe n'ijambo na rimwe, mbere biranatangaza cane nya mutware. Uko umusi mukuru ushitse, uwo mutware yama arekurira ishengero umupfungwa ryipfuza.

Muri ico gihe, bari bafise umupfungwa azwi cane yitwa Baraba. Pilato rero ahengera abantu bakoranye, ababwira ati: «Uwo mwipfuza ko ndabarekurira ni nde? Baraba canke Yezu yitwa Kristu?» Nkako Pilato yari yamenye ko bamushengeje kubera ishari. Amaze kwicara mw'iciro ry'imanza, umugore wiwe amutumako intumwa ati: «Ntihagire ico mupfa n'iyo ntungane, kuko uyu musi nababajwe cane n'ivyo narose bimwerekeye.»

Abaherezankuka bakuru hamwe n'abakurambere bosha ishengero ngo risabe ko barekura Baraba, ariko Yezu bakamwica. Nya mutware we ababwira ati: «Muri abo babiri, uwo mwipfuza ko ndabarekurira ni nde?» Na bo bishura bati: «Baraba.» Pilato ababaza ati: «Hanyuma Yezu yitwa Kristu na we ndamugire gute?» Bose bishura bati: «Nabambwe!» Pilato asubira kubabaza ati: «None ikibi yakoze ni nyabaki?» Bo rero barushirizaho gushira ijwi hejuru bavuga bati: «Nabambwe!»

Pilato abonye ko ata co ari bushikeko, ahubwo ko umugumuko uguma wongerekana, yakira amazi, akarabira imbere y'ishengero avuga ati: «Amaraso y'uwo muntu ntangweko, birabasha!» Abantu bose bishura bati: «Amaraso yiwe arakaduhama, twebwe n'abana bacu!» Pilato araheza abarekurira Baraba, hanyuma ahejeje gukubitisha Yezu, aramubaha kugira ngo abambwe.

Abasirikare ba nya mutware bajana Yezu mw'iciro ry'imanza, hanyuma umugwi w'abasirikare wose uramukoranira. Baraheza bamwambura impuzu, bamwambika igikwemu gitukura, bajisha urugori rw'amahwa barumwambika ku mutwe, bongera bamupfumbatisha urubingo mu kuboko kw'ukuryo, hanyuma bakaza barapfukama imbere yiwe bamutyekeza, bavuga bati: «Turakuramukije, mwami w'Abayuda!» Baza baramucirako amate, bagafata na nya rubingo, baza barumukubita mu mutwe. Abasirikare rero bahejeje kumutyekeza, bamwambura ca gikwemu, bamwambika ivyambarwa vyiwe, bamujana kumubamba.

Bagisohoka, babona umuntu w'Umunyasireni yitwa Simoni, baramugobera ngo yikorere umusaraba wa Yezu. Bashitse ku musozi witwa Golgota, ni ukuvuga Ikibanza c'Agahanga, bamuhereza umuvinyu uvanze n'umururazi ngo anywe. Yumvirije, aca aranka kuwunywa.

Bahejeje kumubamba, bagabangana ivyambarwa vyiwe, babanje gutera ubufindo. Baca baricara bamucungira aho.

# UMUGAMBI «SAREPTA» ugiye gukomera

Mu ndwi yo kuva ku magenekerezo ya 6 gushika ku rya 10 Ntwarante 2023, abarongoye umurwi SAREPTA ku rwego rw'i gihugu bari baramutse bishikira ku kivi mu maparuwase ya Gihanga, Cibitoke, Musigati na Muzinda kugira barabe aho imirwi (grouppements) ihurikiye muri Sarepta igejeje ubutumwa, banarabire hamwe ibibazo bibahanze maze bafashanye kubitorera inyishu.

Muti none SAREPTA ni iki? Sarepta rero ngo ni urugamba rwo gushikana Inkuru Nziza mw'itunganywa ry'amafranga n'ayandi matungo, kuko bahigishirizwa vyinshi.

**Icivugo:** Imyifato yawe imbere y'amafranga n'ayandi matungo nico gipimo c'ubukristu bwawe n'ubuntu bwawe.

Nkuko tubikesha Fidèle NGIRIRIMANA arongoye imirwi y'abanaguwe muri diyoseze BUBANZA (Renouveau Charismatique Catholique), ngo Sarepta ni umugambi wiyumviriwe ku rwego rw'igihugu mu murwi w'abaninahaza Imana, bikaba vyavuye ko abatari bake mu murwi w'abaninahaza Imana ubuzima butera busubira inyuma, ubukene bugatera buba bwinshi mu bantu, ngo baca babona ko batoguma bahurira hamwe baninahaza Imana bamwe batera imbere, abandi baguma hahandi canke batera inyuma, baguma bigonye ataco bahereza umunwa.

Uyo mugambi Sarepta, wabanje gusigurirwa Abepiskopi ba Ekleziya y'Uburundi, igenekerezo rya 20 Kigarama 2019 baraheza barawemeza, hanyuma baratanga uruhusha rw'uko uwo mugambi wotangura gusigurirwa abanaguwe muri Mutima Mweranda (Renouveau Charismatique Catholique) mu burundi bwose.

Niho rero mu mwaka w'2020, umugambi waca utangura gusigurirwa abanaguwe muri Mutima Mweranda bose mu maparuwase y'amadiyoseze yose. Haciye hakurikira gushinga muri buri diyoseze, apamaruwase 5 y'akarorero umugambi wotaguriramwo (paroisses pilotes).

Muri diyoseze Bubanza umugambi watanguriye muri paruwase ya Bubanza, Muzinda, Gihanga, Cibitoke na Mabayi. Ngo bashatse ko uburere bw'ubw'ubutumwa (Vicariats) bwose buserukirwa.

Mu nyuma babonye biriko bigenda neza baciye bongerako amaparuwase atandatu, mu nyuma baca bashirako ayari asigaye, ku buryo gushika ubu umugambi Sarepta uri mu maparuwase 19 yose agize diyoseze BUBANZA, no mu madiyoseze yose.

Muri Diyoseze ya Bubanza, ngo bamaze gushika imirwi yose hamwe 120 ihurikiyemwo abanywanyi 1848, bakaba bafise umutahe urenga ku miriyoni 46 dufatiye ku biharuro vyo mucegeranyo co mu mpera z'umwaka w'2022.

Mu kwezi kwa gatandatu 2023 hategekanijwe gutanguza ikigo co kuziganya no kuguranana (microfinance) ku rwego rw'igihugu, ikibanza ngo carabonetse (harya kuri cercle Saint Michel), ubu hakaba hariko harategurwa neza, abanyamitahe ba mbere bayo ngo ni ya mirwi yose (grouppements) iri mu madiyoseze yose.

*Ibik. ku rup. 5*

# Idominika y'Ibisandasanda : Umwaka A

Hejuru y'umutwe wiwe, bahashira urwandiko rw'ico azize ruvuga ruti: «Uwu ni Yezu umwami w'Abayuda.» Baraheza bamubambana n'ibisuma bibiri, kimwe iburyo, ikindi ibubamfu. Yezu atyekezwa n'abahita 39 Abahita na bo baza baramutyoza, banaga umutwe, bongera bavuga bati: «Wewe usambura isengero hanyuma ukayubaka mu misi itatu, niwikize niwaba uri Umwana w'Imana, wikure ku musaraba!»

Abaherezankuka bakuru na bo nyene, co kimwe n'abanditsi n'abakurambere, baramutyekeza bavuga bati: «Yakijije abandi, none ntashobora kwikiza we nyene! Ko ari umwami w'Israyeli, ubu niyikure ku musaraba duce tumwemera! Yizigiye Imana, none nimutabare niyaba imukunda!t Nkako yavuze ati: "Ndi umwana w'Imana!"» Vya bisuma vyari bibambwe hamwe na we na vyo nyene vyaza biramutuka gutyo nyene.

Kuva kw'isaha ya gatandatu umukorane ukwira isi yose gushika kw'isaha y'icenda. Isaha y'icenda rero yegereje, Yezu asemerera n'ijwi rirenga avuga ati: «Eli, Eli, lema sabaktani», ni ukuvuga ngo: «Mana yanje, Mana yanje, ni kuki wampevye?» Bamwe muri aho bavyumvise, bavugana bati: «Ng'uwo ariko aratabaza Eliya.» Ubwo nyene, umwe muri bo aca ariruka, afata ipampa yashize kw'isunwa ry'urubingo, arikoza mw'isiki, aramuha ngo anunuze. Abandi na bo bavuga bati: «Reka turabe ko Eliya aza kumutabara!» Yezu asubira gusemerera n'ijwi rirenga, aca aracikana.

Ubwo nyene, umukingo w'impuzu wari mw'isengero wicamwo kubiri kuva hejuru gushika hasi, isi iranyiganyiga, ibitandara vy'amabuye birasatagurika, imva ziriyugurura n'imibiri myinshi y'aberanda bari barapfuye irazuka, iva mu mva, hanyuma Yezu amaze kuzuka, yinjira mu gisagara ceranda, abonekera abantu benshi.

Umukuru w'umugwi w'abasirikare ijana n'abandi bari kumwe bacunze Yezu, babonye ukuntu isi inyiganyize n'ivyo vyose vyari bibaye, bagira ubwoba bwinshi, baraheza bavuga bati: «Ni ivy'ukuri, uwo yari Umwana w'Imana.»

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Itangazo ry'inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi risozera urugendo rwabo i Vatikano



Kuva kw'igenekerezo rya 13 gushika igenekerezo rya 18 Ntwarante 2023, Abepiskopi barongoye amadiyoseze gatolika y'i Burundi baragize urugendo rweranda i Roma ku Kirimba c'Ekleziya Gatolika.

Muri urwo rugendo barabonanye n'Umuvyeyi w'Ekleziya Nyenubweranda Papa Fransisko bongera barabonana n'abarongoye ibisata bitandukanye vy'ubutumwa bwa Papa bikurikira:

* ikijejwe iterambere rirama kumwe n'ubutungane n'amahoro;

* ikijejwe abakristu balayike, ingo n'ubuzima; ikijejwe imiryango y'abihebeyimana;

* ikijejwe kumenyesha Inkuru nziza; ikijejwe liturjiya n'ihimbazwa ry'amasakramentu;

* ikijejwe indero, ubumenyi n'imico;

* ikijejwe ukwemera;

* ikijejwe kumenyesha amakuru.

Baragendeye n'Ubunyamabanga bwa Leta y'i Vatikano hamwe na Sentare nkuru y'Ekleziya.

Abepiskopi baboneyeho akaryo ko gusengera ku ntatemwa z'aberanda Petero na Paulo, inkingi z'Ekleziya.

Baherereje Inkuka y'Imisa mu Masengero makuru y'i Roma ane: Isengero nkuru yitiriwe Petero Mweranda, Isengero nkuru yitiriwe Paulo Mweranda, Isengero nkuru y'i Laterano yitiriwe Yohani Mweranda ahari intebe ya Papa nk'Umwepiskopi wa Diyoseze y'i Roma, n'Isengero nkuru yitiriwe Bikira Mariya Nyina w'Imana. Barakenguruka ko abasaserdoti, abihebeyimana n'abakristu balayike basanzwe baba i Roma bagiye barifatanya na bo muri izo Nkuka z'Imisa.

Kw'igenekerezo rya 17 Ntwarante 2023, Abepiskopi b'i Burundi barahawe umubonano na Nyenubweranda Papa Fransisiko, abakirana igishika yongera abaganiriza nk'umuvyeyi akikijwe n'ibibondo vyiwe.

Muri uwo mubonano, bararonse akaryo ko kuganira na Papa ivyerekeye ubuzima bw'Ekleziya mu Burundi, baramwiganira ivyiza Ekleziya mu Burundi yagabanye kandi ikenguruka kuva mu 2014 aho baheruka kugira urugendo rweranda i Roma, bongera kandi barashikiriza n'ingorane Ekleziya mu Burundi ifise mu kurangura ubutumwa bwayo bwo kumenyesha Inkuru Nziza.

Baboneyeho kumumenyesha ko Ekleziya iri muri Yubile y'imyaka 125 iheze Inkuru Nziza isamiranye mu Burundi kandi ko bashimye ko iyo Yubile yoshimikira ku butumwa bw'ingo, ngo urugo rukristu rube Ekleziya yo haziko imenyesha bose Inkuru Nziza.

Baramwibukije kandi ubutumire bamurungikiye ngo azoze gusangira na bo akanyamuneza k'iyo Yubile nk'uko n'umukuru w'igihugu c'Uburundi yari yamutumiye.

Yarabashimiye ku ntambwe iboneka Ekleziya mu Burundi igezeko, yongera arabashikiriza impanuro kivyeyi, araheza aranabaremesha mu butumwa bwabo.

Arashima kandi ubumwe n'umuvukano birangwa hagati yabo na we, agashaka ko ubwo bumwe bwokwama bukomera kugira ngo Ubutumwa bw'Ekleziya buranguke neza.

Umuvyeyi wacu Papa arasaba Abepiskopi b'i Burundi kwama bitanga batiziganya mu kwitangira no mu kwihebera ubusho Imana yabashinze, no mu kuba imboneza mu kuremesha amahoro, mu kunywanisha abarundi.

Vyongeye yabasavye kwitwararika kwigisha urwaruka kuko ari rwo Ekleziya y'uyu musi n'ejo, hamwe no kugira umwitwarariko udasanzwe mu gutegura abaseminari mu vy'ubumenyi, mu vy'ubuzima bw'umutima n'umubiri, mu vy'imibano no mu vy'ubutumwa ngo bazobe abasaserdoti b'ibanga bahimbara Imana n'igihugu cayo.

Ku bijanye n'indyane zasinzikaje igihugu c'Uburundi n'ibikomere vyatewe n'izo ndyane bitarakira; Papa atumirira abarundi kurengera ibibatandukanya bagashira imbere ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe, kugira ngo babane mu mahoro mu budasa bwabo kuko ari naho n'iterambere rishoboka.

Papa yarangije atumirira Abepiskopi n'abarundi bose kutihebura, bakamana umwizero ushingiye k'ukwemera Imana Mushoboravyose.

Yongera arabahezagira abarungikana n'umuhezagiro bazoshikiriza igihugu c'Imana.

Bigiriwe i Roma ku wa 18 Ntwarante 2023.

Kubw'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi

† Banaventure NAHIMANA

Umwepiskopi mukuru w'i Gitega, ahagarariye Papa muri Diyoseze ya Rutana akaba n'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi

Ibikur. urup. 5

# Uguhimbaza Umunsi w'Imana (Ibikurikira)

*(Bitangurira ku rup.1*

Ni kuri uwo munsi nyene Abatumwa batangura gushingira intahe Kristu ubwa mbere, bongera babatiza n'abemeye inyigisho yabo. Uba n »umunsi w'ivuka n'intango ya Ekleziya (Ibik.2,41)

**Umunsi wa mbere w'indwi**

Kubera izo mvo, kuva mu gihe c'Abatumwa "umunsi wa mbere ukurikira isabato" ari wo munsi wa mbere w'indwi, wamye ariwo uranga ibihe vy'ubuzima bw'abemera Kristu (1 Abanyakorenti 16,2).

Umunsi wa mbere ukurikira isabato niho abemera b'i Trowasi, bari bakoraniye ngo bamanyure umukate, Pawulo akaba sezera, akongera agakora n'igitangaro c'ukuzura umusore yitwa Etikusi (Ibikor 20,7-20).

Igitabu c'Ivyahishuriwe umutumwa Yohani kitubwira ko abemera bari bamaze gutazira uwo munsi izina ry'uko ari 'Umunsi w'Umukama » (Ivyah 1,10). Abakristu mu kwita uwo munsi « UMUNSI W'UMUKAMA » baba bemeje ko "Kristu ari Umukama" (Abanyafilipi 2,36 ; 1Abanyakor 12,3).

Uko niko abakristu berekana ukwemera bari bafitiye Kristu mu kumwita izina bita Imana mu Bwuzure bwa Kera. Ego niko, Pawulo mweranda yarabandanije aja mu masinagoga, mugabo kwari ukugira ngo amenyeshe Abayahudi Kristu, mukubasobanurira "Ivyo abahanuzi bari barategekanije vyama bisomwa ku munsi w'isabato" (Ibikor 13,27).

Inyansi mweranda wa Antiyokiya nawe avuga ati : « Niba ababayeho mu bihe vya kera bagarukiye ukwemera ibishasha, batakirangura ivyerekeye isabato, ariko babeshejweho n'umunsi w'Umukama», umunsi aho ubuzima bwerekera kuri we no ku rupfu rwiwe… ikinyegezwa twagabaniyemwo kwa kwemera kuturanga kandi gutuma dutera imbere mu kurushirizaho kuba abigishwa ba Kristu ; We Mwigisha Mukuru wacu, none twoshobora kubaho dute tutari kumwe nawe ko no mu gihe c'Abahanuzi nabo nyene babaye abigishwa biwe muri Mutima, bari bamwiteze nk'Umwigisha »

Ogustino mweranda na we nyene yaravyihweje, maze avuga ati : « Ni co gituma n'Umukama yashize ikimenyetso cihariye kuri uyo munsi. « Umunsi ugira gatatu inyuma y'ibabara ryiwe ariko nkuko babiharura ni umunsi w'umunani, inyuma y'uw'indwi; ni ukuvuga inyuma y'isabato, ni uwa mbere w'indwi. Mu bihugu vyinshi aho ubukristu butsimbataye, Isabato n'umunsi w'Imana, vyubahirizwa nk'iminsi ibiri ivukana».

***Umunsi w'irema rishasha***

Kugereranya umunsi w'Imana w'abakristu n'isabato yo mu Bwuzure bwa kera, vyatumye haba ukwemera gukomeye kwashize umuco wihariye, wibonekeza hagati y'izuka n'irema.

Iciyumviro rukristu cama gifatanya izuka ryabaye «umunsi wa mbere ukurikira isaba-to» n'umunsi wa mbere w'indwi w'irema ry'inta-ngo y'isi.

Igitabu c'Amamuko kitubwira ivyerekeye irema, umunsi UMUCO waremwa. « Imana ivuga iti: «Umuco nubeho.» Umuco uca urabaho. Imana ibona ko umuco ari mwiza, Imana itandukanya umuco n'umwijima. Umuco, Imana iwita umutaga, umwijima na wo iwita ijoro. Haba umugoroba, haba igitondo, uba umusi wa mbere» (Amamuko 1,3-5).

Ubwo bucuti butuma dutegera izuka nk'intango y'irema rishasha, aho Kristu Muninahazwa ari we Camwa, kuko ari we « Yaboneye izuba zina kiremwa cose », ari we kandi « yaboneye izuba abapfuye, kugira ngo abe uwa mbere muri vyose » (Kol 1,15-18).

***Biracaza***

***Ivyiyumviro bikuru bikuru vyavuye muri «Dies Domini», Inyigisho ya Papa Yohani Paulo wa II***

---

# UMUGAMBI «SAREPTA» ugiye gukomera

*(Bitangurira ku rup.3)*

Ubu ibiriko birakorwa kandi nuko buzuza ibikenewe kugira Ibanki nkuru y'igihugu ibemerere kwugurura ico kigo (microfinance), kandi ngo bigeze kure.

Iyo ndinganizo yo gufashanya hagati y'abahurikiye mu mirwi y'ubutumwa bw'abanaguwe muri Mutima Mweranda, kuri paruwase canke kw'ishure, haca hashingwa imigwi y'abantu cumi gushika kuri cumi na batanu babaye benshi (grouppements), bagaca bashinga umutahe umwe wese azotanga buri kwezi, bagaheza bagashira hamwe, bagaca baja baraguranana hagati yabo, bakongera bagashinga urugero rw'uburyo bwo gushigikirana ku m'unywanyi agize ibibazo n'ibindi.

Amahera ataronse abayajana nk'ingurane, baca baja kuyashingura muri kopeke canke ahandi. Ngo bamaze kubona ko umugambi uriko urakura, barateganya kwagura abanywanyi, binjizemwo abahurikiye mu mibano mito mito, abanyamihari…

***Emmanuel HAVYARIMANA***

# Urugo rukristu nirumenyeshe Inkuru nziza ya Yezu Kristu

**II. Imana ishaka ko urugo rukristu rumenyesha inkuru nziza ya yezu kristu**

Nk'uko twabivuze mu nyigisho yo mu bushikiro, urugo rukristu ni « Ekleziya yo ku ziko » ikongera ikaba ihamagariwe kwugurukira izindi ngo zose. Urugo rukristu rero ruhamagariwe kumenyesha Inkuru nziza. Ruzoheza ruronke imigisha n'imihezagiro. Tubisoma mw'Ijambo ry'Imana no mu nyigisho za Ekleziya.

**1. Ijambo ry'Imana ritubwira iki?**

***Mu Bwuzure bwa mbere***

Kuva mu bwuzure bwa mbere, hariho ingo zabereye akarorero izindi mu kugendera ico Imana ishaka, bituma abantu barondera kumenya n'ukubaha Imana n'amateka yayo.

Mu gihe ca Nowa, mu bana b'abantu hari ububisha bwinshi, biraheza bishavuza Imana, nayo yigira umugambi wo kuzimanganya ubwoko bw'abantu, ariko urugo rwa Nowa Umukama yaruravye ryiza. (Amamuko 6,5-8).

Urugo rugororokera Imana rurayihimbara nayo ikaruhezagira, ikarukingira amakuba nk'uko yakingiye urugo rwa Nowa n'abiwe. Uwo muhezagiro ntiwagarukiye kuri Nowa gusa Imana yarawuhaye isi yose (Amamuko 9, 11)

Mu gihe ca Ibrahimu, Imana yaragendeye urugo rwa Ibrahimu na Sara umupfasoni wiwe nabo baraheza barazimana intumwa zayo. Imana yarashimye ica irabahezagira ibemerera ikibondo mu busaza bwabo. (Amamuko 18,1-16).

Mu rugo rw'abemera, ukwakira ingenzi biratanga imigisha y'Imana. Iburahimu na Loti baragiye inama ku rugendo barimwo kugirango imiryango yabo n'amasho yabo vyagukirwe, Imana iraheza irabahezagira iha umwe wese ibimukwiye, Iburahimu imuha umugisha w'isezerano, Loti nawe n'abiwe ibarokora umuriro wa Sodoma kuko bubashe amateka y'Imana (Amamuko 13,1-18; 19,1-29).

Ingo z'abemera zija inama, zigashira imbere umwumvikano n'uguheberanira, ziba ziriko zimenyesha Imana. Ruti naho yari umupagani yaranse guheba inabukwe Nahomi, Imana iraheza iramushumbusha imuha urugo, ari rwo rwahavuye ruvukamwo umwami Dawudi. (Ruti 1,1ss)

Mu rugo rw'abemera, urukundo hagati ya inabukwe n'abakazana biwe birakomeza urugo bikaruzanamwo imigisha. Umuhanuzi Eliya yarashonje ari ku rugendo atakambira umupfakazi w'i Sarepta ko yomuha utwo arya.

Uwo mupfakazi naho yari mu bukene, yaramuhaye kuri duke yari asigaranye. Imana yaciye ihezagira uwo mupfakazi ntiyasubira kubura ico arya n'ico anywa, yongera iramwuhirira mu kuzura umwana wiwe yari yapfuye (1 Abami 17,8-24).

Ingo z'abemera zakira zikazimana intumwa z'Imana mu bukene bwazo ziraronka ivyiza birengeye ivyo zatanze.

**Mu bwuzure bwa kabiri**

Urugo rukristu rurahamagariwe kwakira ishaka ry'Imana. Bikira Mariya na Yozefu barakiriye ishaka ry'Imana mu rugo rwabo bararera umwana Yezu mu ngorane zidasanzwe nko mu Misiri (Mt2, 13-15), kurondera umwana yazimiye (Lc2, 41-51).

Barakiriye ishaka ry'Imana mu kuyirerera Umwana wayo w'ikinege. Bagumye hafi yiwe, baramushigikira, mbere Bikira Mariya aramuherekeza gushika no ku musalaba. Mu rugo rw'abakristu abavyeyi bakira ibibondo nk'ingabirano y'Imana. Nico gituma bubaha bakongera bagashigikira umugambi Imana ifitiye ivyo bibondo. Koroneliyo yari intwazangabo mu baromani yubaha Imana.

Umusi uri izina umumalayika w'Umukama aramubonekera amubwira ko Imana yakiriye ibisabisho vyiwe. Niko gutumako Petero ngo yumvirize ijambo ryiwe. Koroneliyo n'abo mu rugo iwe bamaze kwumviriza Ijambo ry'Imana, buzura Mutima Mweranda, Petero aca arababatiza. (Ibik10,1-48)

Mu ngo z'abakristu iyo Serugo agiye imbere mu kwakira Inkuru nziza no mu kuyigendera, birafasha abo mu rugo bose kubangikrwa n'ukwakira ingabire y'Imana no gutekana mu rugo no guhezagirwa.

Onesimu yari ashumbiye umukristu yitwa Filemo, bamaze guhwanira na Paulo mweranda mw'ibohero yaramwigishije yongera aramubatiza. Ageze kuva mw'ibohera yaciye amurungikana urwandiko rusaba sebuja Filemo kumwakira nk'umuvukanyi (Filemo 8-21).

Mu rugo rw'abakristu kubw'ibatisimu twaronse, abarubamwo bose ni abavukanyi harimwo n'abakozi. Bibaye uko ba-ba bariko baramenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu.

**2. Inyigisho za EKLEZIYA zivuga iki?**

Kuva kera na rindi abarongoye Ekleziya bamye bigisha ko urugo rw'abakristu rwagenewe kumenyesha Inkuru nziza ya Kristu.

Mu nama nkuru ya Ekleziya yabereye i Vatikano ubugira kabiri bavuga ko ingo z'abakristu zihamagariwe kwerekana akaranga k'Inkuru nziza mu buzima bwazo, mu kugendera ukwemera n'urukundo no mu guhabwa amasakramentu.

*Ndongozi y'Uburundi*

# Mama Paul Marie MBONIMPA, yaraye ashengeye i Bukama



Uwo mu bikira yari mu muryango w'ababikira b'Umushaha utatyoye wa Bikira mariya ari bo «bene Mariya»

**Mama Paul Mari Mbonimpa ni nde?**

Mama Paul Marie Mbonimpa yavutse mu 1941, ku mutumba Kibumbu / Bitambwe, muri Paruwase Busiga, Diyoseze ya Ngozi. Yahawe ibatisimu 16/6/1941, abavyeyi biwe bamutorera izina rya Filomena, ahabwa Ikonfirmasiyo 29/7/1948.

Amashure y'intango yayize i Busiga, aca abandaniriza mw'Ishure Nderabigisha aho i Busiga nyene, aharonkera urupapuro rw'umutsindo D4. Yaciye arungikwa kwigisha mu mashure mato yo mu Gitongo, Busiga na Musenyi, kuva 1960 gushika 1964.

Aca yinjira mu Novisiya ya Bene Mariya mu 1964 gushika 1967. Yagize Indagano za mbere z'Ubwihevyi mu Muryango w'Ababikira b'Umushaha Utartyoye wa Bikira Mariya, ari bo BENE MARIYA 22/8/1967, aca atorerwa izina rya Paul Marie.

Kuva ubwo yagumye yigisha mu mashure y'intango y'i Busiga, i Bururi, mu Kivoga, mu Butwe. Igihe c'imyaka 5 araba umuyobozi w'Ishure ry'intago rya Busiga II.

Ikindi kiringo yararanguriye ubutumwa mu mashure Nderabigisha mu Ruyigi kabiri kose, n'i Busiga, nk'Umwigisha-Murezi, yahereje gukora muri Bibliothèque y'Inderabigisha i Busiga.

Igice kinini c'ubuzima bwiwe yabaye Umwigisha-murezi : imyaka 44.

Yashikirije indagano burundu 22/8/1976, Yubile y'imyaka 50 na yo ayigira 12/8/2017. Kuva mu 2007 yaza aribera mu mubano bamurungitsemwo kumwe n'abandi, akora udukorwa duke duke ashoboye ku myaka yiwe, kuko yitavye Imana kuwa 15 Ntwarante 2023 mu Bitaro vyo mu Mivo ashikanye imyaka 82.

**Ingene yabayeho :**

Mama Filomena yabuze abavyeyi akivuka, arerwa n'umupfasoni yitwa Elizabeti. Uyo na we yari asanzwe areze n'abandi bana bashikiwe n'ivyago bakabura abavyeyi. Yakuriye rero mu bandi bana bari bareranywe. Uyo muvyeyi yamureze neza, aramushira mw'ishure ariga gushika aheze, aca yihebera Imana.

Iryo zina rya Filomena ryaramuteye iteka! Aho amenyeye ubuzima bwa Filomena Mweranda, yaciye agira umwete mwinshi wo kumukundisha, atibagiye umuhimbazwa Mariya Paulina Jaricot yaringanije mu ntango ibikorwa vya Papa vy'ugukwiza hose Inkuru Nziza.

Yongera akundisha n'Umweranda Yohani Mariya Vianney yari umugenzi pfampfe wa Filomena Mweranda.

Yarakundishije cane irozari nzima (Rosaire vivant) yatangujwe n'uwo Muhimbazwa Marie Pauline Jaricot, ubundi buryo bwo kuvuga Irozari ari abantu benshi mu mwanya muto, baciye kuri Filomena Mweranda.

Yari umubikira w'urukundo ruzira imbibe, yakunda umuntu wese uko ari, umuto, umukuru. Yaranakundanye birakomera n'umupfasoni w'umudagi, bakaramukanya, we akagendayo, uwundi na we akaza ino.

Iyo umugwi arimwo ushikiwe n'amatati, ntiyahisha ukuri yaca asamburira vyose ku mugaragaro, kandi yariyama uwumwosha kugirira nabi abandi.

Yari umubikira azira akabi, n'iyo yashaye ku muntu, canke uwundi akamushayako, kubera umwidegemvyo wiwe, vyaherera aho nyene, mu kanya agaca ahindura ibiyago mugaseka. Ntiyabika akabi mu nda.

Iyo myaka yose yagendanye ingwara y'umutima yavukanye, ariko ntawe yayiremereza.

Muvukanyi, uruhuke mu maharo waharaniye ukiri kw'isi, hambavu y'umukunzi wawe Yezu n'umuvyeyi Bikira Mariya !

***Mama Gemma Ndiminsi***
Mwene Mariya

# Muri CVR bati: Ntimutinye ukuri, tinya ububeshi n'uburyarya

Ku wa 17 Ntwarante 2022, Umurwi w'igihugu ujejwe gutohoza ukuri no kurekuriranira CVR waratunganije inama ku bari mu gisata c'ubutungane kugira ngo babasigurire aho uwo murwi ugejeje ibikorwa washinzwe n'ivyo umaze gushikako.

Iyo nama yakoranije indongozi nkuru nkuru zo mu butungane uhereye ku mushikiranganje w'ubutungane, Umunyamabanga ntayegayezwa muri ubwo bushikiranganje, Umushikirizamanza Mukuru wa Republika, abayobozi bakuru muri ubwo bushikiranganje, abarongoye amasentare atandukanye hamwe n'abagize umurwi CVR.



Mw'ijambo ryiwe ry'ikaze, Petero Claveri arongoye umurwi CVR ati: «Tugomba tubereke amasanamu ateye ubwoba y'ivyabaye mu Burundi. Ariko ivyo tugire tubereke ni ukuri kwanyegejwe imyaka myinshi cane. Ntimutinye ukuri rero, kandi ntimuze mwigere na rimwe mutinya ukuri. Muratinye riho ikinyoma n'uburyarya». Arongera ati: «Ukuri ni ko kuzokiza Uburundi, ni ko kuzokiza imiryango yacu, ni ko kuzofasha abana bacu kubana neza gusumba uko vyabaye muri kahise.»

Umushiranganji w'ubutungane nawe nyene ntiyagiye kure y'uwa mbere. mw'ijambo ryiwe ryo kwugurura iyo nama, ya-savye abari ngaho kwumviriza neza ikiganiro bagire bashikizwe n'umurwi w'igihugu ujejwe gutohoza ukuri ku vyabaye mu Burundi no kurekuriranira.

Ati: «Tubateze yompi mutubwire ivyo mumaze kurangura natwe tuvyunganire twongere tubinywanishe n'ibikorwa vyacu vya misi yose, gurtyo dutange umuganda wacu mu kwubaka igihugu dufatiye ku bikorwa tujejwe vyo gutsimbataza ubutungane.»

Yarongeye ati: «Ibikorwa ni ivyacu twebwe tujejwe ubutungane. Tumaze kubona no kumenya ukuri ku vyabaye, birakenewe ko duca twiyumvira ingene ibikorw vyacu vyofasha mu kunywanisha abenegihugu twisunze ibifatirwako mu ngendo y'ubutungane bunywanisha».

Ku bijanye n'igisata c'ubutungane mu Burundi, Petero Claver Ndayicariye yavuze ko ico gisata gihambaye cane mu buzima bw'igihugu. Ati: «Ubutungane ni urwego ruhambaye cane mu buzima bw'igihugu. Iyo bukoreshejwe nabi, amaraso araseseka, iyo bukoreshejwe neza amahoro arasasagara, imigongo igaheka, iterambe-re rigakurikira.»

Kubwa Petero Claveri, ngo igituma habaye izinguzingu ry'ubwicanyi muri kahise ngo ni kubera ko ubutungane butakoze ivyo bwari bushinzwe ngaha mu gihugu cacu.

**Ukuri kumaze gutohozwa n'umurwi CVR kurateye ubwoba**

Naho umukuru w'umurwi CVR ujejwe gutohoza ukuri no kurekurirani ku vyabaye mu Burundi avuga ko atawoba agitinya ukuri, iyo ukuri kwanyegejwe kugiye ahabona ngo usanga biteye akoba. We nyene ubwiwe, avuga ko mu misi ya mbere y'ibikorwa vyabo, ngo haragera ahantu bakabwirwa ukuri ku vyabaye, amosozi agatemberana mu maso. N'abashikirijwe ubwa mbere ukuri ku vyabaye, nta muntu atakoroye amasozi kuko ngo vyaba biteye ubwoba.

Muri ico kiyago kumwe n'abaserukira inzego z'ubutungane, uwo murwi wavuze ko bamaze kuzura abantu 22 845. Abo ngo abo bashoboye kubona ibisigarira vyabo. Ariko ngo hari n'abandi benshi bagiye akazimayongo «Uri abatwawe n'inzuzi, uri abariwe n'ibikoko. Hari n'abaturiwe mu ntara zimwe zimwe z'igihugu».

Kuri abo bashoboye kuzurwa, intara ya Gitega iza kw'isonga ku bantu 10 978, intara ya Mwaro ikaza mu kibanza ca kabiri ku 2 431, intara ya Bururi 2160, intara ya Bujumbura nayo 1852.

Mu biharuro uwo murwi ufise, intara zibiri, Cankuzo na Ngozi, nta muntu n'umwe yatowemwo. Abari ngaho bakibaza ko muri kahise izo ntara zitoba zarigeze zihura n'amagume. Umukuru w'umurwi CVR avuga ko kubona izo ntara zanditsweko ubusa, ngo si kubera ata bantu bigeze bicwa mu makuba yo 1972. Ahubwo ngo ni kubera ko abantu baho bataba barashatse kuvuga ukuri.

Umukuru w'umurwi CVR ati: «Aho twazuye ibisigarira vy'abantu hose, twaba tuheretswe n'abasangwa, baba abacitse kw'icumu canke abagize uruhara mu bwicanyi».

Ibindi bintu berekanye ni inyandiko zatowe mu bisata bitandukanye vy'ubuzima bw'igihugu. Ngo hari impapuro zatowe mu masentare atandukanye, mu mazu y'amabohero no mu bushikiranganji butandukanye. Izo nyandiko batora ngo zirimwo ukuri kuzima. Ziba zigizwe cane cane n'imanza za ngondagonde zaciwe muri kahise, intonde z'abantu bishwe, intonde z'amatungo y'abantu hamwe n'aho ayo matungo yagiye canke abayagabanganye, n'ibindi.

Tubamenyeshe ko muri kino gihe abarongoye umurwi CVR bariko bazunguruka igihugu cose basigurira abajejwe intwaro ivyo bamaze gushikako imbere yo gutangura intambwe nshasha yo guha ijambo abashinga intahe ku mugaragaro.

*Mélance Ndayikeze*

# Inyigisho nkarishabwenge kubagize komite ijejwe gutanga ivyegeranyo mu murwi mpuzamakungu ONU ujejwe agateka ka zina muntu

Kuva kw'igenekerezo rya 13 gushika ku rya 16 Ntwarante 2023, ubushikiranganji bw'agateka ka zina muntu imibano n'iterambere ridakumira bwaratunganije inyigisho nkarishabwenge ku bajejwe agateka ka zina muntu hano mu gihugu bari mu bisata bitandukanye, barikumwe n'abahinga barungitswe n'umurwi ujejwe igisata c'agateka ka zina muntu ca ONU kiri i Jeneve mu Busuwisi.

Foto : Chanel HARINAGNJI



Bamwe mu bari bitavye izo nyigisho nkarishabwenge

Abo bahinga bakaba bari baje kubigisha mu ntumbero yo gutanga neza icegeranyo c'Uburundi ku vyerekeye agateka kazina muntu kigiye gutangwa mu m isi ya vuba muri ONU.

Ivyo bikorwa vyuguruwe na Tantine NCUTINAMAGARA, umwunganizi w'ubwo bushikiranganji arikumwe n'abo bahinga, Ivana MACHONOVA na Bamazi KOSSI TCHAA.

Izo nyigisho zatanzwe mu mirwi ibiri. Kuwa 13 na 14 Ntwarante, hatanzwe inyigisho kumurwi wa mbere wari ugizwe n'abo bajejwe agateka ka zina muntu hano mu gihugu bari mu bisata bitandukanye.

Kuva ku wa 15 gushika ku wa 16 Ntwarante, haciye hatangwa inyigisho ku murwi ugira kabiri wari ugizwe n'amashirahamwe yigenga.

Nk'uko bisanzwe, hari amasezerano asinywa hagati y'ibihugu n'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe agateka ka zina muntu. N'Uburundi rero bwarasinye ayo masezerano mu mwaka w'1990.

Iyo ayo masezerano abaye rero, ico gihugu kiyasinye gica kiza kirarungika uko imyaka ibiri canke irenga iheze ivyegeranyo vy'agateka ka zina muntu kugira vyerekane ingene vyakwirikije ayo masezerano. Icegeranyo c'ibanze, Uburundi bwakirungitse mu mwaka wa 2015.

Iyo igihugu gitanze icegeranyo ubwambere, kigenda ku ngingo imwe imwe mu ngingo zigize ayo masezerano, kivuga ingene cashize mu ngiro ayo masezerano.

Iyo cahora kibitanga naho, urwego rwo muri ONU rubihawe, ruca rugira ico rubivuzeko. Iyo hari ico rwasavye leta, mu cegeranyo kizokurikira ica yishura kuri ayo makenga hama igaca yongera ikishura ku ngingo imwe imwe muri za ngingo zigize amasezerano kugira babone ingene leta yagiye iratera imbere.

Ahanini rero abo bahinga bari baje kubereka ingene botegura ivyo vyegeranyo neza kugira hazogende icegeranyo kimwe kimeze neza.

Zimwe mu ntambamyi zatumye ivyi vyegeranyo biteba gushika mw'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe agateka ka zina muntu, n'uko ubwambere Uburundi bwaciye mu bihe bitoroshe vy'amagume, ivyo bigatuma abajejwe ivy'agateka ka zina muntu hano mu Bu-ru-ndi bibagora guhura kugira bashobore gutororokanya ibikenewe vyose vyoja muri ico cegeranyo, ariko ivyo vyose bigasaba uburyo.

Ikindi n'uko haba hakenewe ihugurwa ry'urwo rwego kugira babereke ingene baza barakora.

Abari bitavye izo nyigisho nkarishabwenge barasavye ko ivyigwa nk'ivyo vyokwama vyatanzwe kuko zababereye kirumara. Abo bahinga nabo basavye ko ivyo vyegeranyo vyotangwa mw'ishirahamwe mpuzamakungu vuba.

Baciye barangiza ivyo bikorwa bapfunditse ko ivyegeranyo bazoba bakoze bazoca babirungika mu bushikiranganji bw'agateka ka zina muntu imibano n'iterambere ridakumira hamwe no mu bushikiranganji bw'i-migenderanire n'ibindi bihugu ku wa 16 Ndamukiza 2023.

**Chanel HARINGANJI**

# Ugukingira umwana w'umurerano

Umwana ni uwo muntu wese atarashikana imyaka cumi n'umunani, kiretse mu gihe hokurikizwa ayandi mategeko amufata nk'uwukuze imbere y'iyo myaka.

Umwana rero arafise uburenganzira bwo gukingirwa ikintu cose kimusinzikariza ubuzima, bwo kwandikwa mu bitabu ndangamuntu no kugira izina, bwo kwiga, kuvuzwa arwaye n'ibindi.

Umwana ategerezwa kurerwa n'abavyeyi biwe ariko hari aho bishika, bivuye ku mvo zitandukanye akarererwa mu wundi muryango wabisavye kandi ukwije ibisabwa n'amategeko.

Uwo mwana arerewe mu wundi muryango hisunzwe amategeko agenga uburezi ni we yitwa umwana w'umurerano kandi aguma afise uburenganzira nk'ubw'abandi bana mu muryango arezwemwo canke muwo arezwemwo n'uwo yamukamwo.

Uwushaka kuba umurezi abisaba muri sentare nkuru y'Igihugu ni yo iheza ikamwemerera imaze kugenzura ko akwije ibisabwa. Birumvikana ko uburezi turiko turavuga butandukanye n'ivyo tumenyereye gukora mu gufasha abana dutunze mu miryango yacu.

Uburezi bwene ubwo buri mu mirwi ibiri : hari uburezi bwo ku rwego rw'igihugu hamwe n'uburezi bwo ku rwego mpuzamakungu.

Ugukingira umwana w'umurerano gutegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'Igihugu c'Uburundi.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu akingira umwana w'umurerano**

Ugukingira umwana w'umurerano bitegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye.

Tuja gushimikira ku masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana hamwe n'amasezerano y'Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana.

Ayo masezerano arategekanya uburezi ku rwego mpuzamakungu no ku rwego rw'igihigu.

*a) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana*

Ingingo ya 21 ivuga, mu gace kayo ka mbere, ko ibihugu vyemeje aya masezerano bitegerezwa gucungera ko ineza y'umwana ishizwe imbere muri vyose mu gihe umwana yemerewe kurerwa n'uwundi muryango.

Uburezi bwo ku rwego mpuzamakungu ni bumwe mu buryo bushoboka bwo kuronsa umwana umuryango mu gihe bidashoboka ko aronka umuryango umwiyitirira ngo umurerere neza mu gihugu ciwe.

Iyi ngingo ibandanya ivuga, mu gace ka 4, ko mu gihe umwana agiye kurerwa mu kindi gihugu, igihugu ciwe kirakurikirana ko uwo mwana afashwe neza nk'uko yoba arezwe n'umuryango uri mu gihugu c'amavukiro, ko atajanywe gukoreshwa mu kwironderera amaronko, kandi ko ineza y'umwana ishizwe imbere muri vyose.

*b) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana*

Ingingo ya 24 ivuga, mu gace kayo ka mbere, ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bitegerezwa gufata ingingo zose zishoboka kugira ngo ineza y'umwana w'umurerano ishirwe imbere.

Aha twovuga nk'ugushiraho inzego zijejwe kwiga ibijanye n'uburezi bukorerwa mu gihugu no hanze y'igihugu, kugenzura neza ko amategeko ajanye n'ugutanga uburezi yakurikijwe kandi ko umwana n'abavyeyi biwe baronse amakuru ahagije ku vyerekeye uburezi.

Iyi ngingo ibandanya ivuga, mu duce twayo twa 2 na 3, ko uburezi mpuzamakungu bwemezwa mu gihe habuze uwurera umwana mu gihugu ciwe kandi naho nyene inzego zibijejwe zabanje kugenzura neza ko azoronka uburenganzira nk'ubw'abandi bana bo mu gihugu no mu muryango arezwemwo.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya ugukingira umwana w'umurerano. N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi akingira umwana w'umurerano**

Mu mategeko y'igihugu c'Uburundi, tuza kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro hamwe n'ibiri mw'ibwirizwa n° 1/004 ryo kuwa 30 ndamukiza 1999 rihindura ingingo zimwe zimwe ziri mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi ku vyerekeye uburezi.

*a) Mw'Ibwirizwa Shingiro*

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashizeko umukono harimwo amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza kw'abana.

*b) Mw'Ibwirizwa n° 1/004 ryo kuwa 30 ndamukiza 1999 rihindura ingingo z'itegeko rigenga ingo n'abantu mu Burundi ku vyerekeye uburezi*

Ibikur. urup. 11

# Ugukingira umwana w'umurerano

(Bitangurira ku rup.10)

Umwana w'umurerano arafise uburenganzira kandi arakeneye gukingirwa nk'abandi bana. Iri bwirizwa ritunganya uburezi riirategekanya uburezi bukorerwa mu gihugu n'ubukorerwa hanze y'igihugu.

Uburezi buri mu mirwi ibiri bwaba bukorerwa mu gihugu canke hanze y'igihugu. Hari uburezi butuma umwana atakaza amateka mu muryango yavutsemwo akayagira muwumwakiriye hamwe n'uburezi butuma agumana amateka mu muryango yavutsemwo akayagira no mu muryango wamwakiriye.

**** Uburezi bukorerwa mu gihugu***

Uburezi bwo ku rwego rw'igihugu ni uburezi buri hagati y'umurezi n'umurerano bakomoka mu gihugu kimwe kandi bakibamwo bompi

Ingingo ya 13 y'ibwirizwa n° 1/004 ryo kuwa 30 ndamukiza 1999 rihindura ingingo z'itegeko rigenga ingo n'abantu mu Burundi ku vyerekeye uburezi ivuga ko mu gihe abavyeyi bapfuye canke batswe ububasha bwo kurera abana babo, inama y'umuryango ni yo yemeza ko umwana aja kurerwa mu wundi muryango imaze kumviriza uwari asanzwe areze uwo mwana.

Mu ntumbero yo gukingira umurerano, ingingo ya 14 ivuga ko ukwemera uburezi gusabwa abavyeyi canke inama y'umuryango kandi kugatangwa biciye mu rwandiko rushizwe ko umukono n'umunyamategeko yashinzwe n'igihugu amabanga yo gusuzuma, kugenzura no kwemeza agaciro k'inyandiko canke rukemezwa n'ubuserukizi bw'Uburundi mu makungu.

Ukwemera uburezi kurashobora gukorwa kandi imbere y'umuyobozi w'igisata kijejwe gukingira abantu no kubategekaniriza kazoza.

Nk'uko twabivuze mu ntango ko uwushaka kuba umurezi abisaba muri sentare nkuru y'Igihugu, ingingo ya 27 ivuga ko sentare nkuru y'Igihugu igenzura mu kiringo c'amezi atandatu ko uwushaka gutunga umurerano akwije ibisabwa kandi ko ineza y'umwana yashizwe imbere muri vyose.

Umurezi ategerezwa kuba afise imigenzo myiza kandi afise n'uburyo bukwiye bwo kumurera. Kukaba nkako, n'umwana w'umurerano afise uburenganzira bwo kugira indero runtu, bwo kwiga, ubwo kuvuzwa iyo arwaye n'ibindi vyose vya nkenerwa kugira abeho neza kandi ivyo vyose ategerezwa kubironswa n'umurezi wiwe.

****Uburezi bukorerwa hanze y'igihugu***

Uburezi bwo ku rwego mpuzamakungu ni uburezi buri hagati y'umurezi n'umurerano badasangiye ubwenegihugu canke babusangiye ariko baba mu gihugu kitari ico bakomokamwo.

Ingingo ya 54 y'ibwirizwa n° 1/004 ryo kuwa 30 ndamukiza 1999 rihindura ingingo z'itegeko rigenga ingo n'abantu mu Burundi ku vyerekeye uburezi ivuga ko iyo ari uburezi bukorerwa hanze y'igihugu c'Uburundi, abategetsi babifitiye ububasha bategerezwa kugenzura ko ibisabwa n'amategeko vyose vyakurikijwe, cane cane ko ineza y'umwana ari yo yashizwe imbere.

Mu ntumbero yo gukingira umwana w'umurerano, ingingo ya 70 ivuga ko uburezi bwo ku rwego mpuzamakungu bwemerwa mu gihe abategetsi babifitiye ububasha bo mu gihugu umurezi abamwo bagenzuye neza ko umurezi abifitiye ubushobozi kandi abishoboye, yaronkejwe amakuru yose yerekeye ugutunga umurerano kandi ko uwo mwana ye-merewe kuba muri ico gihugu.

N'aha nyene uwushaka gutunga umurerano yitura urwego rw'igihugu rwaho umwana aba rujejwe kubahiriza amategeko akingira umwana w'umurerano ku rwego mpuzamakungu.

Ingingo ya 73 nayo ivuga ko mu gihe urwego rw'igihugu rwaho umurezi aba rujejwe kubahiriza amategeko akingira umwana w'umurerano ku rwego mpuzamakungu rwasanze umurezi abifitiye ububasha kandi abishoboye, urwo rwego ruca rurungikira icegeranyo kirimwo umwidondoro w'umurezi, ko ashoboye gutunga umurerano, aho aba, imvo zitumye yifuza gutunga umurerano canke abarerano bivanye n'abo yasavye.

Mu gusozera, twibukanye ko umwana w'umurerano ategerezwa gukingirwa kandi afise uburenganzira co kimwe n'abandi bana. Uburezi bwose butegerezwa gushira imbere ineza y'umwana.

Uwushaka kuba umurezi ategerezwa kubisaba mu nzego zibijejwe kandi akaba akwije ibisabwa kugira ashobore gutunga umurerano. Izi ntambwe zose zitegekanijwe zifise intumbero yo gukingira umurerano amabi yokwinyegeza inyuma y'uburezi.

Twokwibukanya kandi ko ubu burezi butandukanye n'ivyo dusanzwe dukora mugufasha abana b'abandi dutunze mu miryango yacu.

Ntihagire uwuca areka gufasha ; abo ntibaheza ngo badutorane kuko si abarerano kandi nta ruhusha bisabirwa.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Isabukuru y'imyaka 10 iheze Nyenubweranda Papa Fransisko abaye umusubirizi wa Petero mweranda



Ku wa 13 Ntwarante 2023, Papa Fransisiko yari arumije imyaka 10 abaye umusubirizi wa Petero mweranda.

Hari ku wa 13 Ntwarante 2013, aho Nyenicubahiro Umwungere Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Buenos Aires muri Argentine Jorge Mario Bergoglio, umu Jesuite yatorwa ngo asubirire Nyenubweranda papa Benidicto ku ntebe ya Petero Mweranda. Aca afata izina rya Fansisiko, umu Papa agira uwa 266, aba uwa mbere yiswe iryo zina, uwa mbere avuka muri Amerika y'amaja epfo, uwa mbere w'umu Jesuite.

Ni ibihe bintu bikuru bikuru vyaranze Papa Fransisiko muri imyaka cumi?

Hari amagenekerezo makuru makuru atwereka icabaye umwitwarariko mukuru muri iyi myaka cumi irangiye mu butumwa bwiwe bwo gutagatifuza no kurongora igihugu Imana yamuragije:

* Ukwitaho inyambukira n'impunzi, abakene,

* Ukwitaho urwaruka,

* Ukwitaho ingo n'imiryango,

* Ukwitaho ibidukikije, imigenderanire n'ayandi makungu n'abo tudasangiye ukwemera,

* Ukwakira mu mahoro ingorane zihanze isi,

* Uguhamagarira abakristu guha ikibanza kibereye ijambo ry'Imana, inama sangizagendo n'ibindi.

1. Muri Mukakaro 2013: Papa Fransisiko yagize urugendo rwa mbere mw'izinga ry'Ubutariyano ryitwa Lampedusa mu ntumbero yo kugarukira ku nyambukira zica muri iryo zinga zivuye muri Afrika, ngo asabire n'abapfira mu kiyaga bariko barajabuka.

2. Muri Gitugutu 2014: yahamagaje inama ya mbere y'ingo n'imiryango yahuza abepisikopi Katolika . Iyo nama ikaba yatumye asohora urwandiko yise « Amoris Laetitia » iryo kete ryabaye ubutumwa bw'umwizero ku ngo n'imiryango.

3. Ku wa 18 Ruheshi 2015: yahamagariye Ekleziya kwitaho no gukingira ibidukikije asohora n'urandiko « Laudato Si » inyandiko yakiriwe neza n'amakungu yose mbere nabo tudasangiye ukwemera.

Hampande y'iryo, yaranditse n'ayandi 2 : muri 2013 yaranditse « Lumen fidei », muri 2020 yandika « Fratelli tutti ».

4. Ku wa 26 Nyakanga 2015 : yaravugiye mu nama ya ONU asaba ko ibihugu vyokwitwararika gukingira ibidukikije , ku wa 26 Ndamukiza 2017 aravyura ibiganiro n'aba Islam mu guhurira na Almed Al- Tayeb muri Caire mu gihugu ca Egypte.

Ku wa 22 Nyakanga 2018 agiriranira amasezerano n'igihugu c'Abashinwa ku bijanye no kugena Abepisikopi hagati ya Roma nico gihugu. Ku wa 25 Ruhuhuma yagiye ku buserukizi bw'igihugu c'Uburusiya i Roma kuganira ibijanye n'indwano yo muri Ukraine.

5. Ku wa 12 Ruhuhuma 2016 : Papa Fransisiko yarahuriye mu gihugu ca Cuba na Kiril aserukira aba Orthodoxe aba i Moscou mu bu Rusiya. Ukwo guhura kukaba kwabaye ubwa mbere kuva habaye itandukaniro hagati ya Ekleziya y'ibihugu vy'ubuseruko n'uburengero.

6. Ku wa 19 Munyonyo 2017 : Papa Fransisiko yarahaye iminwe abakene ; aho yagenye uw'Imana ugira uwa 33 mu minsi y'Imana isanzwe ngo uheberwe aboro.

7. Ku wa 9 Ndamukiza 2018 : yasohoye urwandiko rwerekeye uguharanira ubweranda muri ino si y'ubu « Gaudete et Exultate »

8. Ku wa 28 Gitugutu 2018 : yarahaye ikibanza urwaruka ngo Ekleziya ibashire imbere mu vyiyumviro vyayo. Ikoraniro ry'abungere rica riraba rishimikiye ku rwaruka .

9. Mu mwaka wa 2019 : yahamagariye Ekleziya kumviriza Amazonie mu nama yagirishije no mw'ikete yanditse ahamagarira abakristu kubahiriza ibidukikije.

10. Muri Nyakanga 2019 : yatumiriye abakristu guha ikibanza kibereye ijambo ry'Imana mu buzima bwabo bwo kwemera. Aca ashinga umunsi w'Imana wahariwe ijambo ry'Imana, uw'Imana ugira 3 mu gihe gisanzwe.

11. Muri Ntwarante 2021 : yagize urugendo mu makanda ya Ibrahimu mu gihugu ca Iraki kugira aremeshe abakristu bariyo. Arahura n'uwuserukira aba Islamu baba chiite Al-Sistani.

12. Muri Gitugutu 2021 : Yahamagariye Ekleziya yose kwinjira mu nteguro y'inama nsangizangendo y'Abepisikopi izoba muri Gitugutu 2023 na 2024.
13. Nzero 2023 : yashinguranye iteka Papa Benedigito wa XVI.

Ekleziya yo kwisi yose yarakeje Papa Fransisiko ku vyo yaranguye vyose vyegereje igihugu c'Imana ku bunywanyi bushitse hamwe na Yo. Akaba kandi yaragize n'ingendo z'ubutumwa mu bihugu bitandukanye zishika kuri 40.

*MSV M Goreth Ndikumana*